Site : https://ligue-iteka.bi
Email : communication@ligue-iteka.bi
WhatsApp : +256701178261
X : @LigueIteka

Site : https://kingumurundifreedom.org
Email :contact@kingumurundifreedom.org
WhatsApp : +33758279294
X : @KUF_ASBL

# Akamo nomero 6

## Uburenganzira bwúguhunguka ku bushake bwímpunzi z'abanyakongo bubwirizwa kubahirizwa na Leta y'u Burundi hamwe na UNHCR.

---

Mu ntumbero y'ümugambi UMUSEKE,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu mu Burundi,Iteka na King Umurundi Freedom abandanya atohoza uko impunzi z'abanyakongo zahunze intambara iri mu buseruko bwa RDC zimerewe.

Mu rukurikirane rw'akamo gaheruka hamwe n'ayandi matangazo mu matangazo yacu yo kundwi ku ndwi,amashirahamwe yacu arakenguruka kandi aratera intege ibiyago vyamaho hagati ya UNHCR,abafashanya na yo hamwe n'impunzi z'abanyakongo mwikambi ya Busuma na cane cane mu nama yo kuwa 14 Ndamukiza 2026 yashitse ku mugambi w'imfatakibanza wo gutahukana abambere ku bushake bwabo biraba hafi impunzi 700 z'abanyakongo ukanahagarika umugumuko wari wateguwe kandi washobora gusesa amaraso.Ni intambwe ikomeye cane ku mpunzi zari zirushe ku mahera y'umurengera barihishwa n'abapolisi hamwe n'Imbonerakure ku mpunzi zagerageza gutaha zikoresheje uburyo bwazo.

Umuhari uharanira agateka ka zina muntu Iteka ufatanije na King Umurundi Freedom baboneyeho akaryo ko kumenyesha ko uwundi mubonano ku vyerekeye ukuntu bosubira iwabo ku bushake wari wabaye mu kwezi guheze kandi impunzi zivyipfuza, zari zasabwe gutangura kwiyandikisha ku bakozi ba UNHCR.

Mu kubahiriza agateka k'impunzi z'abanyakongo nk'uko biri mu masezerano y'I Geneve yo mu mwaka w' 1951 yashizweko umukono n'uBurundi aha uburenganzira impunzi bwo gusubira mu gihugu c'amavukiro ku bugombe bwazo mu ngingo yayo ya mbere hamwe n'uburenganzira bwo kwishira no kwizana(ing.26),amashirahamwe umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi hamwe na King Umurundi Freedom arasaba:

PROGRAMME UMUSEKE

**Kuri Leta y'Uburundi, UNHCR n'abandi bafashanya muri iyo kambi:**

- Kuraba neza ko inzira yo korohereza impunzi z'abanyakongo zishaka gusubira mu gihugu cazo ikwirikizwa mu kubahiriza amasezerano ya Geneve,ayandi masezerano mpuzamakungu bijanye hamwe n'ibwirizwashingiro ry'Uburundi;

- Kurandurana n'imizi ibikorwa vy'ubunyonyezi buvugwa n'abantu batandukanye ikanahana ababikora.

**Ku bafasha muvyo ubuhinga hamwe n'uburyo Leta y' u Burundi harimwo NU, UE n'abaserukira ibihugu vyabo bari mu Burundi**

- Kubandanya gushigikira Leta y'uBurundi hamwe n'abo bakorana kugira bashobore gushitsa ivyo biyemeje mu gukingira no gufata mu mugongo izo mpunzi;

**Ku mpunzi z'abanyakongo ziri mw'ikambi Busuma hamwe n'ayandi ma kambi mu Burundi:**

- Kwama bashira imbere ukuganira n'ababafasha hamwe n'ukubaha intumbero y'amategeko bahabwa n'ababafasha.

***<u>Kubwo umugambi UMUSEKE</u>***

**Anschaire NIKOYAGIZE** | **Vianney NIZIGIYIMANA**





**15.O4.2026**

*Umukuru w'umuhari Iteka*
*+256701178261*

*Umukuru wa King Umurundi Freedom*
*+ 33 7 58 27 92 94*

PROGRAMME UMUSEKE